Ikinyamakuru
ca Ekleziya
Gatolika
Umwaka wa 68
Gisohoka kabiri mu
kwezi
Ikiguzi : 500FBu

# NDONGOZI Y'UBURUNDI



Email:journalndongozi@gmail.com

Facebook :Journal ndongozi y'uburundi Rusiziramarembe; Twitter: Ndongozi y'Uburundi

Adresse : Candikirwa, kigasohorerwa muri Ndongozi y'Uburundi.
Avenue de la mission n° 06

«Jewe ndi wa mwungere mwiza »
Jn 10, 11a

B.P 690 Bujumbura. Tél.: 222762. Fax : (257) 228907 N°776 01 Gitugutu 2022

# «Muzombera ivyabona» *(Ibikorwa vy'Abatumwa 1,8)*



*Igenekerezo rya 23 Gitugutu 2022, uko umwaka utashe, ku musi mpuzamakungu wahariwe ubutumwa bwo gukwiza hose inkuru nziza ya Yezu Kristu, Nyenubweranda Papa Fransisko arashikiriza abakristu bo kw'isi yose ijambo bihuye. Uyu mwaka, ijambo shimikiro ryavuye mu gitabu c'Ibikorwa vy'Abatumwa, rivuga riti:*

***«Muzombera ivyabona »** (Ibik. Abat 1,8)*

Bavukanyi nkunda;

Aya majambo ni ayo mu kiganiro ca nyuma Yezu yagiranye n'abatumwa biwe amaze kuzuka, imbere yo kwurira mw'ijuru, nk'uko vyanditswe mu gitabu c'Ibikorwa vy'abatumwa: « Muzoronka ubukomezi Mutima Mweranda azobazanira, muheze rero muje kumbera ivyabona i Yeruzalemu no mu Buyuda bwose no muri Samariya, mugarukire iyo isi igarukira » (Ibikorwa vy'abatumwa 1,8).

Soma ku Rup. 2

Abakozi ba Ndongozi

Uwujejwe uruganda:
* A. Noël NTIRANDEKURA

Abamenyeshamakuru:
* A. Noël NTIRANDEKURA
* Mélance NDAYIKEZE
* MSV Marie Goreth NDIKUMANA

Uwujejwe ubuhinga:
* Chanel HARINGANJI

Umunyamabanga:
* MSV Marie Goreth NDIKUMANA

Umunyabigega:
* MSV Anatolie NIYIMPAYE

Uwujejwe imigenderanire:
* J. de Dieu NDIKUMANA

# Imyaka 26 irarangiye Musenyeri Yohakimu Ruhuna agandaguwe

Ku musi wa gatanu igenekerezo rya 9 Myandagaro uyu mwaka 2022, imyaka 26 yari irangiye Nyenicubahiro Musenyeri Yohakimu RUHUNA arengutse i Bukama.

Ku rwego rwa diyoseze nkuru ya Gitega, inkuka y'Imisa y'ukumwibuka yahererejwe mw'Isengero mvyeyi y'iyo diyoseze ku Mushasha irongowe na Musenyeri Simoni NTAMWANA akikijwe n'abasaserdoti 25.



Soma ku Rup. 4

## Ibirimwo

- Intumwa ya Papa mu Burundi yaragendeye Diyoseze Rutana.................6
- «Twemere tuvugane ukuri, turekuriranire, dusubize hamwe»................7
- Ubuhinga bw'ukurima ikigori......................................................8
- Indwara yo mu kigo ku bigeme n'abakenyezi, ni indwara ivurwa igakira..........9

# Idominika ya 27, Umwaka C

## Igisomwa ca mbere: *Habakuki: 1,2 - 3; 2,2 - 4*

Ivyo dusoma mu gitabu c'Umuhanuzi Habakuki :

(Itntungane izotungwa n'ukugumya ibanga)

Mbe Mukama, nzogutabaza gushika ryari utari bunyumvirize? Nzogusaba ngo ukure imidugararo utari bunkize? Ni kuki ureka ngo mbone amakuba, ukishinga kwirabira ayo ngowe? Nsigaye mbona abasahura n'abarwana; hose ni ugutukana, induru ntaho itavuga. Umukama ahava aranyishura ati: "Andika ivyo ubona, ubishire ku dupapuro, babashe kubisoma neza. Kandi bizoshika igihe cavyo kigeze, nta kabuza, bizoteba biranguke. Nivyateba, urabirorera; bitebe bitebuke, bizoza ntagisivya. Uwufise umutima wagoramye azohagwa, nayo intungane izotungwa no kugumya ibanga."

## Igisomwa ca kabiri : *2Timote 1, 6-8. 13 - 14*

Ivyo dusoma mw'ikete rya kabiri Umutumwa Paulo yandikiye Timote :

(Ntugire isoni kubw'intahe ushingira Injili y'Umukama)

Mwanaje nkunda cane:
Ndaguhanuye ngo ukabure ya ngabirano Imana yaguhaye aho nakwubikako ibiganza. Imana ntiyaduhaye umutima upfana isoni n'ubwoba, ariko yaduhaye umutima w'ubutwari, w'urukundo n'ubwitonzi. Ntugire isoni rero kubera intahe woshingira Umukama wacu cabure kubera jewe imbohe yiwe; ariko rinda hamwe nanje ya magorwa ubona kubera inkuru nziza, uhagarikiwe n'ubukomezi bw'Imana. Gumya amajambo y'inyigisho nagushikirije, ubigirane ukwemera n'urukundo rwa Yezu Kristu. Iyo mbitso nziza rero, urayizigama, ufashijwe na Mutima Mweranda avyagiye muri twebwe.

## Inkuru nziza : *Luka : 17,5– 10*

**Alleluya, Alleluya.**

*- Ijambo ry'Umukama ryamaho imyaka yose; iryo jambo ry'Inkuru nziza mwashikirijwe.*

**Alleluya.**

Ivyo dusoma mu Nkuru Nziza ya Yezu Kristu nkuko twayishikirijwe na Luka:

(*Ubukomezi bw'ukwemera*)

Umunsi umwe, abatumwa babwiye Umukama bati: " Twongereze ukwemera". Umukama abishura ati: "Iyo muba mufise ukwemera kungana n'agatete ka sinapi, mwobariye iki giti muti: 'Irandure, uze kwiterera mu kiyaga, coca kibagamburukira.' Muri mwebwe, ni nde yoba afise umusuku atuma kurima canke kuragira, yohengera avuye kurima akamubwira ati: 'N'uze wicare ku meza?' Abura kumubwira ariho ati: 'Ntegurira ivyokurya, ukenyere ungaburire, gushika mpeze gufungura no kunywa; hanyuma nawe ubone gufungura n'ukunywa.' Mbega, yokengurukira uyo musuku kuko yakoze ivyo yamutumye? Nuko namwe mumeze: nimwaheza gukora ivyo mwabwirijwe, muravuge muti: 'Turi abasuku b'imburakimazi, nta kindi twakoze Atari ico twategerezwa gukora."

---

# «Muzombera ivyabona» *(Ibikorwa vy'Abatumwa 1,8)*

*(Bitangurira ku rup.1)*

Ni na co civugo c'umusi mpuzamakungu wahariwe ubutumwa bwo gukwiza hose Inkuru Nziza muri uyu mwaka w'2022. Nk'uko bisanzwe, kidufasha kwinjira mu ngendo y'Ekleziya, yo muri kamere yayo ari ukumenyesha Inkuru Nziza.

Uyu mwaka uraduha akaryo ko kwibuka amasabukuru amw'amwe ahambaye mu buzima no mu butumwa bwo kumenyesha Inkuru Nzi-za bw'Ekleziya: ishingwa ry'igisata kijejwe ugukwiza hose ukwemera, haraciye imyaka 400; igikorwa ca Papa c'ukumenyesha Inkuru Nziza, haraheze imyaka 200 gitanguye.

Ico gikorwa nyene hamwe n'igikorwa c'Imikangara y'Imana, n'igikorwa citiriwe Petero mweranda umutumwa, haraheze imyaka 100 vyemejwe ko ari « Ibikorwa vya Papa».

Dushimikire kuri aya majambo atatu atomora inkingi zitatu z'ubuzima n'ubutumwa bw'abigishwa:

* Muzoronka ubukomezi Mutima Mweranda azobazanira,

* Muheze rero muje kumbera ivyabona

Ibik. urup.3

# «Muzombera ivyabona» *(Ibikorwa vy'Abatumwa 1,8)*

*(Bitangurira ku rup.2)*

* Mugarukire iyo isi igarukira.

1. **«Muzombera ivyabona»:** Umuhamagaro w'abakristu bose wo gushingira intahe Kristu

«Muzombera ivyabona » ni ishingiro, intimatima y'inyigisho Yezu yashikirije abatumwa biwe abamenyesha ubutumwa bwabo bwo kumenyesha Inkuru Nziza kw'isi. Abigishwa bose bazoba ivyabona vya Yezu kubera Mutima Mweranda bazoronka: Bazobishobora kubw'inema y'Imana iyo bazoja n'aho bazoba bari hose.

Nk'uko Kristu ari we yarungitswe ubwa mbere, ni ukuvuga uwatumwe na Data (Raba Yohani 20, 21) kubera ivyo akaba gurtyo « Icabona c'intahemuka» (Raba Ivyahishuwe 1, 5), niko n'umukristu wese ahamagariwe kuba uwarungitswe n'icabona ca Kristu.

Ekleziya na yo, Umuryango w'abigishwa ba Kristu, nta bundi butumwa ifise atari ubwo kumenyesha Inkuru Nziza isi mu gushingira intahe Kristu. Akaranga ka Ekleziya ni ukumenyesha Inkuru Nziza. Kuzirikanira hamwe bishimitse ubutumwa Kristu yashinze abigishwa biwe buvuga buti: «Muzombera ivyabona» kuragaragaza ibintu bimwe bimwe vyibonekeza mu gihe ca none.

Tubifashe mu butandukane bwavyo turabona ko umuhamagaro wo kumenyesha Inkuru Nziza w'abatumwa urangwa n'ugushirahamwe nk'umuryango. Uwabatijwe wese ahamagariwe ubutumwa bwo kumenyesha Inkuru Nziza muri Ekleziya no ku bw'irungikwa ry'Ekleziya, nico gituma ukumenyesha Inkuru Nziza kurangurirwa hamwe, ata kuba nyamwigendako, mw'isangiramutima n'Umuryango w'Ekleziya ata kwiyadukiza.

Ariko kandi naho vyoshika mu bihe bimwe bimwe umuntu akarangura wenyene igikorwa co kumenyesha Inkuru Nziza, ategerezwa kwama akirangura ari mu bumwe bw'Ekleziya yamurungitse.

Nk'uko umweranda Papa Paulo wa gatandatu avyigisha mu nyigisho yiwe yise: «Ukumenyesha Inkuru Nziza», ikaba ari inyigisho yanshitse ku nyota: « Ukumenyesha Inkuru Nziza si igikorwa ca nyamwigendako ariko ni igikorwa c'Ekleziya yose.

Mu gihe umwigisha atari rurangiranwa, umumenyeshamana canke umuyobozi, ariko arigisha Ijambo ry'Imana yegeraniriza abakristu mu muryango canke atanga amasakramentu, n'igihe ari wenyene mu kibanza ca kure kitazwi, aba ariko ararangura igikorwa c'Ekleziya kandi igikorwa ciwe kirafitaniye isano n'inzego z'Ekleziya, ariko kandi kirafitaniye ubunywanyi butaboneka kandi imizi y'ico gikorwa ivoma ku nema y'Imana no ku gikorwa co kumenyesha Inkuru Nziza c'Ekleziya yose ».

Kukaba nkako, kugira Umukama Yezu arungike abigishwa biwe babiri babiri mu butumwa, yarabifitiye imvo.

Intahe abakristu bashingira Kristu irangwa, mu ntimatima yayo, no gusenyera ku mugozi umwe. Ni co gituma bikenewe rwose ko haba umubano, naho woba mutoyi mw'irangurwa ry'ubutumwa.

Bisubiye, abatumwa barasabwa ukubaho mu buzima bwabo bwite mu ntumbero yo kumenyesha Inkuru Nziza: Barungitswe na Yezu kw'isi yose atari ukwigisha gusa Ijambo ry'Imana ariko na cane cane bakagendera ivyo bigisha; atari ugushinga intahe gusa, ariko cane cane babe ivyabona bizima vya Kristu.

Nk'uko umutumwa Paulo abivuga mu majambo nkoramutima ati: « Imisi yose na hose dutwara mu mubiri wacu amagorwa y'urupfu rwa Yezu, kugira ngo ubuzima bwa Yezu na bwo nyene bwibonekeze mu mubiri wacu» (2 Abanyakorenti 4, 10).

Intimatima y'ubutumwa bw'ukumenyesha Inkuru Nziza ni ugushingira intahe Kristu, ni ukuvuga ubuzima, ukubabara, urupfu n'izuka vyiwe kubw'urukundo afitiye Mana Data n'abantu. Kugira ngo abatumwa barondere gusubiriza Yuda mu babaye « ivyabona vy'izuka rya Yezu » (Ibikorwa vy'Abatumwa 1, 22) nka bo, ni uko hari imvo.

Ni Kristu, kandi Kristu yazutse dutegerezwa gushingira intahe no gusangira nawe ubuzima.

Abamisiyonari ba Kristu ntibarungikwa ngo bimenyekanishe bo nyene canke ngo berekane ingeso zabo nziza n'ubuhinga bwabo mu kwemera no mu bukerebutsi mu gutunganya ibintu.

Ahubwo batewe iteka rinini ryo gushikiriza abantu Kristu mu majambo no mu bikorwa, mu kumenyesha bose Inkuru Nziza y'urukiza n'akanyamuneza kavuye ku mutima, kurya kw'abatumwa ba mbere.

Kubera ivyo, twovugako icabona nyakuri ari «umumaratiri », uwutanga ubuzima bwiwe kubwa Kristu, kubera ko nawe adahengeshanya kutwitangira.

« Ica mbere kidukabura mu kumenyesha Inkuru Nziza ni urukundo Kristu yadushizemwo, tukiyumvamwo ko twacunguwe ari na vyo bidutuma twama tumukunda ukuruta»

Mu gusozera, mu bijanye no gushinga intahe rukristu, umwihwezo w'umweranda Papa Paulo wa gatandatu uguma igihe cose ari nkoramutima: « Umuntu wa none yumvirizanya ubwira ivyabona gusumba abigisha, ni iyo yumvirije abigisha, ni uko baba ari ivyabona ».

*Ibik. urup.4*

# Imyaka 26 irarangiye Musenyeri Yohakimu Ruhuna agandaguwe

*(Bitangurira ku rup.1)*

Ishengero ry'abari bayitavye ryarimwo abihebeye Imana batari bake n'abaryango b'amaraso b'uyo nyakwigendera.

Mu ndinganizo y'ubutumwa bwa diyoseze nkuru ya Gitega kuva isozereye Inama ya mbere y'Umuryango wayo, umusi w'igenekerezo rya 9 Nyakanga si uwo kwibuka gusa igandagurwa ry'uwo mutumwa w'Imana.

Ni umusi wo kugaragaza umutima wo kurekuriranira n'ugusubiza hamwe" nk'uko tubisanga mu ngingo 2. 2. 2. 3 y'Amateka n'Amategeko avuye mu Nama ya Mbere y'Umuryango wa Diyoseze Nkuru ya Gitega.

Ni naco gituma nu nyigisho yitsa Ijambo ry'Imana ry'uwo musi, Musenyeri Simoni NTAMWANA yashimikiye ku kurekuriranira n'ugusubiza hamwe. Yisunze ubutumire bwa Kristu agira ati „ Ni mube abanyakigongwe, nkuko So wanyu wo mw'ijuru ari umunyakigongwe ( Luka 6,36).

Yaduze kw'ijambo atumirira ishengero ryari aho kwibukana ubwira Musenyeri Yohakimu Ruhuna, yise umumaratiri w'Inkuru nziza y'ukurekuriranira n'ugusubiza hamwe n'umuvugizi w'amahoro twarungitse ku Mana.

Yaraboneyo n'uguserura icipfuzo ciwe cuko Imana yokwereka abamugandaguranye na mama Irena… wo mu Muryango wa Bene Tereziya na Concessa…wo muri Foyer de Charité ko urukundo ari rwo rwo nyene rwubaka ibirama.

Yaremeje ko Musenyeri Yohakimu yazize ukwigisha Inkuru nziza y'ukurekuriranira n'ugusubiza hamwe. Yazize ibanga ry'ubutumwa bw'urukundo.

Igihugu cacu c'Uburundi kirakeneye ukurekuriranira n'ugusubiza hamwe twigishwa na Yezu Kristu.

Twubakiye kuri We ni ho twoba twubakiye ku rutare rutamenwa.Ni ho hoboneka amahoro y'ukuri n'iterambere rirama. Nkako ingendo igarukira kuri politike gusa, yaremeje ko itarenga ku gusangira ubutegetsi, mugabo mu mitima kariyo.

Yasozereye inyigiho abandanya atumirira abarundi bose ku kwinjira no mu kugendera mu nzira y'ukurekuriranira n'ugusubiza hamwe. Kubwiwe, kugira ngo Uburundi bukire bwongere bukize abana babwo nta handi buzokura urukiza atari mu muri iyo nzira Kristu ahamagariramwo ababatijwe ababwira ati: „ Ni mube abanyankigongwe nk'uko so wanyu wo mw'ijuru ari umunyakigongwe". Iyo nyigisho tuyifashe nkama, tuzokira ibituzingamika vyose, duheze twubake Igihugu cacu n'Ekleziya ihangamye muri co.

Uwo mubarwa wasozerewe n'ugushira amashurwe ku ntatemwa y'uwo muhisi ashinguwe mw'isengero mvyeyi ya Diyoseze nkuru ya Gitega hamwe no ku cibutso abaryango b'amaraso bubatse mu gisata ca Rango hafi y'iyo sengero.

Ariko rero, icibonekeza, nuko uko imyaka itera ija imbere ari ko uwo mubarwa witabwa ahanini n'abihebeye Imana baba ku Mushasha wa Gitega n'abaryango b'amaraso ba nyakwigendera. Ni nako bihuta biramera mu gisabisho c'urunani rw'imisi icenda irongora ihimbazwa ryawo.

***Dismas Ntahomvukiye***

# «Muzombera ivyabona» *(Ibikorwa vy'Abatumwa 1,8)*

Ni co gituma mu ntumbero yo gushikiriza ukwemera, intahe y'abakristu ishingiye k'ubuzima bwerekana Inkuru Nziza ari ntasubirizwa. Muri iyo ntumbero nyene, igikorwa co kumenyesha Kristu n'ubutumwa bwiwe kiguma na co ari ngombwa.

Kukaba nkako, Papa Paulo wa gatandatu abandanya avuga ati: «Egome kwigisha Ijambo ry'Imana, gusamiriza ubutumwa bwa ryo vyama ari ntasubirizwa […] Ijambo ryama igihe cose ari rishasha, cane cane iyo riranga ububasha bw'Imana.

Ni co gituma n'ijambo ry'Umutumwa Paulo mweranda rigumana itoto: "Ni uko rero ukwemera kuva ku kwumviriza, ukwumviriza na kwo kukazanwa n'Ijambo rya Kristu" (Abanyaroma 10, 17), ni Ijambo iyo ryumvirijwe rishikana ku kwemera» (Raba Ukumenyesha Inkuru Nziza, n. 42)

Gutyo rero, akarorero k'ubuzima rukristu n'ukumenyesha Kristu birajana mu gikorwa co kwigisha Inkuru Nziza. Kimwe cunganira ikindi.

Ni amahaha abiri umuryango wose utegerezwa guhemesha kugira ngo umenyeshe Inkuru Nziza.

Iyo ntahe yuzuye, ibereye kandi inezera ya Kristu izoba ata gukekereza igikwegakwegera abantu muri Ekleziya ngo ibandanye itera imbere muri iki kimpumbi ca gatatu.

Ndasavye rero umwe wese asubire agire umwete, ukutarya umunwa, ari navyo vyaranga abakristu ba mbere mu gushingira intahe Kristu mu mvugo no mu ngiro, mu mpande zose z'ubuzima.

***Biracaza***
***Ndongozi y'Uburundi***

# «Va hasi uhaguruke, nashatse kukugira umusuku n'icabona c'ivyo uhejeje kubona» (Ibikurikira)

**Imfungurwa ya kabiri ni** :

Ukaristiya :

Ni vyiza ko uzirikana ikinyegezwa c'Ukaristiya nk'imfungurwa y'umutima wacu muri iki gihe turi ikoraniro, aho ico kinyegezwa twagishize imbere.

Yezu we mukate w'ubuzima, niwe aduha ubukomezi kuko ni umukate w'abakiri ku rugendo. «Uwurya umubiri wanje akanywa n'amaraso yanje arafise ubuzima budahera. Jewe ndi wa mukate muzima wavuye mw'ijuru. Uwuriye uwo mukate azokwamaho imyaka yose, vyongeye umukate nzotanga ni umubiri wanje kugira ngo isi ironke ubuzima. Yohani 6,51.

Ni vyiza ko twakira umubiri wa Kristu twawiteguriye neza kuko urya umukate akanywa ku gikombe atabanje kuzirikana ko ari umubiri w'Umukama, aba ariye kandi anyoye ikizomwagiriza.

**Uhamagariwe kuba umusuku n'icabona**

* Umusuku : Kuba umusuku wa Kristu ni ugukorera Kristu utiziganya nkuko Paulo yabigize.

Umusuku : jewe Paulo, umusuku wa Yezu Kristu, nahamagariwe kuba umutumwa, ntorerwa kwigisha Inkuru nziza y'Imana yamenyeshejwe kuva kera iciye kubahanuzi (Abanyaroma 1,1).

Si Paulo, si Apolo : Abakristu bashikirizwa ukwmera, umwe wese agakora nkuko yabihawe n'Umukama (1Abanyakorenti 3,5).

Umuntu wese natubonemwo abasuku ba Kristu n'abashikiriza b'vyiza vy'Imana (1Abanyakorenti 4,1). Kubera ko umusuku ari icabona ca Kristu atarondera kunezereza abantu (abanyagalati 1,10), yategereye ko ukumenya Yezu Kristu bimurutira vyose gushika aho ibindi abiraba nk'ubusa, ngo yihatire kumenya Yezu Kristu.

Nskaka kumenya kandi ububasha bw'izuka ryiwe, nsangire nawe amagorwa yiwe, nshushe nawe mu rupfu rwiwe, ndiruka, ndaciruka ngo mbashe kubicakamira kuko najenacakamiwe na Kristu Yezu.

Nibwira kimwe gusa mu kwibagira ibiri inyuma no mu gushingira ibiri imbere ndiko ndirukira ngo nshikire rya shimwe Imana yaduhamagarira mw'ijuru muri Yezu Kristu (Abanyafilipi 3,7-14) yandikira ikete abanyafilipi, Paulo na Timote, abasuku ba Kristu Yezu turabandikiye aberanda bose (Abanyafilipi 1,1).

None rwaruka,

- Gamburuka ijwi ry'Umukama. Uyu munsi mukumva ijwi ry'Umukama ntimukomantaze imitima yanyu. Imana ikubwira iki ? Umviriza Mutima mweranda ari muri wewe mu gacerere mu gisabisho mu muzirikano mwumva vyinshi, mubona vyinshi kuri bwa buhinga ngurukanabumenyi, ku mboneshakure, kuri telefone.

Mumenye gusobanura ibibagirira akamaro bikabigisha. Mumenye ko hariho n'ibibasambura, ibibakwegera mu nyosha mbi z'ubuhumbu, z'ubusuma, z'ubunebwe, z'ubugaba…bikica rya jwi rya Mutima Mweranda ribosha neza.

- Nimube ivyabona vya Yezu Kristu

* Kuba icabona mugushingira intahe ukuri :

- Mwemeza ivyiza Imana yabagiriye mwihweje mu buzima bwanyu mubone ivyiza vyinshi yabagiriye ; mubone ikiganza c'Imana mu buzima bwanyu : ubuzima mufise mubukesha nde. Abavyeyi. Umuvyeyi wa mbere ni Imana, iteka ry'ukuba abana b'Imana

- Muremere muyishingire intahe urukundo rwayo muzirikane urukundo Imana ibakunda, urukundo yabaremanye, agashusho yabaremanye. Ishaka ko mwuzura na yo mugasangira ubuzima n'ubuhirwe.

- Mumenye gukenguruki-ra Imana ku vyiza ibagirira, ntimubone gusa ivyo mubuze, ivyo mukenye, kuko n'ivyo muvuga ngo murafise, n'ivyo muvugirako, mugomba kurenza amaso, ivyo muyaga mubikesha Imana. Mbega bitabonetse mwovuga iki ? Bitabonetse mwoba muri abande canke mwoba muri he ?

- Nimube abasuku b'Umukama, mwemere gukorera Imana mu mirwi y'urwaruka imibano imihari y'ubutumwa, mu baririmvyi, mu mashirahamwe yo gufashanya.

- Ba intumwa ya Yezu Kristu kuko uwabatijwe wese ni umutumwa ahamagariwe kumenyesha Inkuru nziza. Be, shi imihari murimwo ni iy'ubutumwa ni mubwakire kandi muburangure neza niho muzoba umuco muri benewanyu. Ingendanyi, icivugo cazo ni Ba Intumwa. Nimubigendere ntimubivuge gusa canke ngo mubiririmbe

- Mube aho muri hose umunyu n'umuco w'isi, dutegure isi nshasha yubakiye kw'Ijambo ry'Imana ritwigisha urukundo, umuvukano no kuremesha amahoro

Rwaruka, va hasi mushishikare urugendo, mukomeze urugendo mukomejwe na Mutima Mweranda mukagaburirwa n'Ijambo ry'Imana n'amasakramentu na cane cane isakramentu ry'Ukaristiya, mubone kuva hasi muhaguruke mube abasukun'ivyabona vya Yezu Kristu.

*Ndongozi y'Uburundi*

# Intumwa ya Papa mu Burundi yaragendeye Diyoseze Rutana

Ku magenekerezo ya 27 na 28 Myandagaro 2022, Nyen'icubahiro Musenyeri Dieudonné DATONOU, intumwa ya Papa mu Burundi, ari kumwe n'umunyamabanga wiwe, yaragendeye Diyoseze ya Rutana

Akanyamuneza kari kose kuri nyen'icubahiro Musenyeri mukuru wa Diyoseze nkuru ya Gitega ari nawe ahagarariye nyen'ubweranda Papa muri Diyoseze ya Rutana, no ku bakristu bose na cane cane abo mu ma Paruwase yashoboye kwishikiramwo nka Rutana, Bukemba, na Gihofi.

**Ikiranga-mwanya c'urugendo rwiwe** :

Ku munsi wa gatandatu igenekerezo rya igenekerezo rya 27 Myandagaro 2022, kuva isaha ya gatatu n'igice y'agatondo (9H30), Nyen'icubahiro musenyeri Dieudonné DATONOU yagiraniye umubonano n'abasaserdoti bose bo muri Diyoseze ya Rutana.

Inyuma y'uyo mbonano, yaciye aja guhereza inkuka y'imisa muri paruwase ya Bukemba, aho abagize urwego rw'ubutungane n'amahoro muri Diyoseze bari baramutse bagira umusi mukuru wama uba uko umwaka utashe.

Inyuma y'iyo nkuka ya Misa, iyo ntumwa ya Papa mu Burundi yaciye agendera Paruwase ya Gihofi (Rutana), aho yasanze abasaserdoti, abihebey'Imana n'abakristu baserukiye abandi bamwiteganye igishika.

Ahejeje kumucira ku mayange ubuzima bwa Paruwase arongoye, Patiri mukuru mw'ijambo yashikirije, yaramumenyesheje ko iyo paruwase igizwe n'ama segiteri atatu ariyo Gihofi, Muzye na Gatabo. Yarongeye amumenyesha kandi ko abiri muri yo (Muzye na Gatabo) yamaze gutangura ibikorwa vyo kwitegurira kuba ama paruwase. Yarerekanye ko abakristu baho bafise amikoro abayabaye ku buryo ivyo bikorwa vyo kwitegurira Paruwase batovyishoboza bonyene kubera bafise amikoro make.

Mu kwishura iryo jambo rya Patiri mukuru, iyo ntumwa ya papa mu Burundi yabanje gushikiriza indamutso ya papa n'iyiwe abakristu bose baraho. Arakengurukirira umuryango wa paruwase Gihofi ingene bamwakiranye icubahiro n'akanyamuneza, yongera arabibutsa ko ari bo k'ubu na kazoza k'Ekleziya.

Yasozereye abamenyesha ko abatwaye ku Mutima, kandi ko azobafata mu mugongo muri ivyo bikorwa barimwo vyo gutegura ayo ma paruwase abiri agiye kuvuka kuri paruwase ya Gihofi.

Inyuma y'ico kiganiro, Intumwa ya papa yaciye igaruka ku cicaro gikuru ca Diyoseze aho yaraje mu kiganiro kumwe n'abakristu bo mu gisagara ca Rutana n'abihebey'Imana bose, na cane cane abumva ururimi rw'igifaransa cari gitegekanijwe kuva isaha y'icumi ku muhingamo (16h00).

**Ubutumwa yatanze :**

Muri iyo mirwi yose babonanye, ijambo nyamukuru yagiye arabashikiriza ryari iryo kuremesha umuryango w'abakristu ba Rutana no kubaha ubutumwa bwo gusaba no gusabira umwungere azoragizwa umuryango w'abakristu ba Diyoseze ya Rutana.

Mu ncamake yavuze ati: «kuva umwungere wanyu mwahorana arungitswe mu yandi maba-nga, mwasigaye mumeze nk'impfuvyi n'abapfakazi. Ariko ni mureme, umuvyeyi wacu papa nti-yabibagiye.

Nk'uko kuva na kera Ekleziya mu butumwa bwayo yamye ishira imbere kwitwararika impfuvyi n'abapfakazi, n'ubu irabandanya kurangura ubwo butumwa bwayo, ari na co gituma uyu musi mumbona ngaha muri iyi Diyoseze yanyu ya Rutana.

Integuro yo kubatorera umwungere, yaramaze gutangura. Ndabasavye kubandanya musenga, kugira ngo uwuzotorerwa iryo banga azobe umwepiskopi ashira imbere gukunda no gukundisha Ekleziya, imbere y'ibindi vyose, no kuba mu bumwe bwuzuye n'Ekleziya Katorika.

Nimutegekanye kandi ibihe vyo gusenga, cane cane mushengerere Yezu muri Ukaristiya kenshi, musabe cane kugira ngo ababifisemwo ijambo bose babe ibikoresho vya Mutima Mweranda, kugira ngo baze babatorere umwungere ameze nk'uko umushaha wa Yezu ubishaka. »

Inyuma y'ubwo butumwa, iyo ntumwa ya papa mu Burundi yaciye atanga akanya ku bari aho bose, kugira ngo nabo bagire ico bashikirije (ibibazo, ivyifuzo, canke intererano).

Abafashe ijambo nka bose bashimikiye cane cane ku vyifuzo vy'ingene umwungere yotorerwa kuyobora umuryango wa Diyoseze Rutana yoba ameze. Ibikuru bikuru vyashikirijwe nivyo vy'ibi:

- «Twifuza umwungere akiri muto, w'umwete, azi kwegeranya ubusho bwose azoba ashinzwe no gukorana n'abantu bose mu butandukane bwabo, yitwararika inyigisho kubasangira butumwa kandi bugatera imbere mu mpande zose z'ubuzima bw'Ekleziya, haba mu vy'umutima, mu vy'ubutumwa, no mu vy'ubutunzi.

Vyongeye, turifuza umwungere yubahuka kuvuga ukuri, atagende-ra mu gitutu canke mu mutamana w'abari mu nzego za politike, azi neza uburundi na kahise kabwo, yuzuriza bose na cane cane muri kino gihugu cacu cakomerekejwe n'indyane z'ubwoko bwishi muri kahise. »

Mu kubishura, Intumwa ya papa yavyishuye mu majambo make kandi arashe, ati :
« Nta shure ry'abitegurira ubwepiscopi rihari. Ico nzi neza n'uko ababifisemwo ijambo batazobatorera umwungere ataco ashoboye (un évêque médiocre). Ariko ko yoba uwufise izo ngabirano zose mwifuza, ivyo sinobimenya. Ico mutokekereza, n'uko muzoronka umwepiskopi w'umurundi azi neza uburundi. »

*Patiri Benoit KABURA*

# «Twemere tuvugane ukuri, turekuriranire, dusubize hamwe»

Isabukuru y'ubutungane n'amahoro ku rwego rwa Diyoseze yarahimbajwe kuri uyu w'Imana igenekerezo rya 11/9/2022 muri Paruwase ya Busoro hisunzwe icivugo kivuga giti: «Twemere tuvugane ukuri, turekuriranire, dusubize hamwe».

Nkuko biri mu butumwa bw'Igisata c'Ubutungane n'Amahoro cegukira Diyoseze, buri mwaka hama hahimbazwa isabukuru y'ubutungane n'amahoro ishimikiye ku gufasha Abarundi muri rusangi n'abantu baba muri Diyoseze bacanyemwo mu bihe vy'intambara ngo basabane ikigongwe, barekuriranire bongere basubize hamwe, umubano wabo urushirizeho kuba mwiza.

Mu kwitegurira iyo sabukuru, abakristu bose barahamagarirwa kwitabira igisabisho c'imisi icenda, bazirikana ivyiza bikomoka ku mutima wo kurekuriranira no gusubiza hamwe.

Ama paruwase nayo, arahamagarirwa guhimbaza isabukuru z'ubutungane n'amahoro, kugira abakristu bose basabikanye ivyiza vyaranguwe n'abaremeshamahoro, mu gufasha abantu kunywana no kubandanya biyubakira imibano ishemeye, ishimikiye kuri uyo mutima wo gusubiza hamwe.

Karaheza kakaba n'akaryo ko kurimburira



*Uyo mugore ariko arekurira uyo mugabo yazanye abasirikare kwica umugabo wiwe*

hamwe, ibikorwa vyarangutse biteza imbere imibano y'abantu, irangwa n'ubumwe, urukundo, ugufashanya n'ukwitanaho.

Ibirori vy'uwo musi nyezina vyahereye ku gusabira abantu icumi na babiri batawe mu kinogo kimwe bongera basabira n'abandi bantu bahitanwe n'urwimo rwo mu 1993.

Mu ngoro y'Imana ni ho abagabo batatu basaba imbabazi ku vyaha bakoze mu mwaka w'1993 no mu 1996. Uwa mbere wo mu gisata ca Gasenyi i Busoro yarasavye ikigongwe umupfasoni yiciye umugabo, uwundi nawe yarasavye ikigongwe ko yaturiye amazu y'abatutsi bapfuye mu Gasenyi kuko yari abuze abo yica.

Uwugira gatatu nawe yari uwo muri Paruwase Butezi yarasavye ikigongwe kuko yajanye abasoda mu ngo z'abashingantahe babiri b'abahutu, abo nabo bakaba batigeze bamenya irengero ryabo gushika ubu.

Abasabwe ikigongwe baragitanze ku mugaragaro, bati : «Nimwumve amahoro, mubohoke! kuko uwusavye ikigongwe arakironka».

Inkuka ya misa yaciye itangura, abari aho babandanya basabira bongera binovora ingabirano yo kurekuriranira no gusubiza hamwe.

Mu kuzirikana ijambo ry'Imana ry'uwo musi, Umwungere wa Diyoseze ya Ruyigi yaragarutse cane kw'ijambo ry'ukuri, aho yamenyesheje ko kenshi mu gucanamwo, abantu batwarwa n'ibinyoma n'insaku hamwe n'amabwire y'abandi.

Igihe rero ukuri kutagiye ahabona, biragora gusaba ikigongwe n'ugusubiza hamwe kuko umwe wese yiyumvira ko ari mu kuri n'aho vyo-ba atari vyo.

Ukuri rero ni inkingi ikomeye y'amahoro, ni isoko ry'akanyamuneza mu bantu. Ukuri gutuma atawuhorwa ubusa, kukazimanganya imyikeko, abantu bakemanga ivyo bakoze baciye bugufi, abo bari baragiriye nabi nabo, bakaronka umutima w'ukwihangana gushika babagirire ikigongwe.

Umwungere yabandanije amenyesha abari bitavye iyo sabukuru ko Imana idukunda kandi ko yama ishaka kutugirira ikigongwe. Ko rero bihimbara Imana iyo natwe twitavye urwo rukundo mu kwakira ikigongwe cayo no kurekurira abatugirira nabi kuko tuba turiko turayigana.

Ibirori vyasozerewe n'agatutu aho amajambo yashikirijwe yabaye ayo gukengurukira Diyoseze ya Ruyigi ku ntambwe igezeko mu gufasha Abarundi kuvugana ukuri ngo bashike ku kurekuriranira no gusubiza hamwe, batibagiye no gukengurukira abashinze intahe y'ivyabaye mu kwerekana akarorero keza, mu gusaba no gutanga ikigongwe, naho nyene hariho abama bashaka kubahuvya no kubabuza gushira ahabona ukuri mu kwemera kubohoka.

***Evelyne KUBWAYO***

***Kubw'Igisata c'Ubutungane n'Amahoro***

***Diyoseze Ruyigi***

# Ubuhinga bw'ukurima ikigori

**1. Ibigori biterwa he?**

* Ikibanza ciza giterwamwo ibigori kiba gifise isi yinjiye kandi ikoreye neza;
* imirima yatabiwe neza kandi iguma akabomberwa munsi;
* isi y'ibumba canke y'urucekeri ntiyimbuka ibigori;
* Imirima iterwamwo amazi ntiyimbuka ibigori kuko amababi aca ahishira agasa n'ibara ry'umuhondo;
* Mw'ikurakuranya ryiza, ibigori bisubirira ibiharage, ubwishaza, isoya ibiyoba canke ipampa;
* Ibigori ntibirimwa ahavuye imyumbati kuko isi nta buryohe iba igifise.

**a. Ugutegura umurima**

* kurima ushikana hasi ariko ukirinda kuzura agataka, ugakubita ibinonko ukongera ugasanza ivu,
* gukuramwo urwiri rwose n'ibindi vyatsi bibi canke imizi y'ibiti.

**b.Gufumbira**

Kuri hegitare 1, hakenerwa amatoni 20 y'umwavu w'ibitungwacanke wa nyabarega avunze neza n'ibiro 150 vy'ifumbire y'ikizungu bita IMBURA mu gihe c'itera.

Iyinga zibiri imbere yuko utera imbuto, amatoni atatu y'ishwagara arakenerwa uko imyaka ine iheze.

Mu gihe c'ibagara harakenerwa ibiro 75 vy'ifumbire y'ikizungu TOTAHAZA bigabuwe kabiri: Haheze imisi15-20, ibiro 37,5 mu gihe c'ibagara. Haheze iyindi misi 25-40 ushizeko TOTAHAZA igice (37,5 kg) gisigaye gishirwako mu gihe umurima uyangitse.

**Ibigori biterwa ryari?**

Ku mitumba, ibigori biterwa imvura itasuye, muri Gitugutu.

Mu mwonga, ibigori birimwa ici ritanguye, ariko mu biyaya ahashobora kuvomerwa bishobora kurimwa umwaka wose. Ibigori bikura neza iyo bitewe mu kirare.

Mu gatasi, ibigori bishobora guterwa hamwe n'ibiharage, ubwishaza canke ibiyoba, ariko ivyo biterwa vyose biba biteye ku mirongo.

Mu gihe barimye ibigori vyo nyene, hagati y'imirongo y'ibigori ibiri basiga santimetero 75, ku murongo naho santimetero 50 hagati y'ibango n'irindi. Mw'ibango batera intete zitatu. Kuri hegitari imwe (100 m kuri 100 m), hakenerwa ibiro 30 vy'imbuto mu gihe bifise intete ntoya. Ku bigori bifise intete nini, hakenerwa ibiro 40 canke 50.





**Ukubungabunga umurima w'ibigori**

a. Gusubiriza n'ukwankanya: Kwankanya bikowa mu gihe ata zuba ryinshi ririho, kugira ngo ibigori bisigaye ntivyononekare. Haheze imisi itanu canke indwi, ibinogo bitameze birasubirizwa n'imbuto nshasha mu kwanka ko mu murima hasigara ibihengeri.

Haheze indwi zibiri canke zitatu bimeze, ibigori biba bishikanye isantimetero 15 z'uburebure, uravyankanya mu gucagura ibigori bibiri bisigara mw'ibango ugakuramwo kimwe kitameze neza. Iyo vyose binganya ubwiza n'igikuriro, ukuramwo ico hagati.

**b. Kubagara**

Haheze indwi zibiri bimeze, bikeneye kworoherezwa ivu no gukuramwo ivyatsi bibi. Haheze izindi ndwi zibiri, haba hageze gushiramwo umwavu w'ikizungu (TOTAHAZA) no gufurira ubwa mbere: Ubumba ivu uko imirongo igenda kugeza kuri santimetero 15.

Mu gushirako Totahaza, wimba agaserege ka santimetero 5 uja ikuzimu kakazunguruka igiterwa. Kuva ku giterwa uharura n'imiburiburi santimetero 7 kuko uyegereje igiterwa gica kibabuka. Uhejeje uca ufuka ya fumbire n'ivu.

Haheze izindi ndwi zibiri canke zitatu, usubira kuduza ivu uko imirongo igenda kugeza nko kuri santimetero 30 wongera ukuramwo ivyatsi vyimeza mu murima.

Akamaro ko gufurira ni ukugira ngo ikigori kizane imizi myinshi, gishobore kwigaburira neza congere kirinde uruzuba n'umuyaga.

**Udukoko n'indwara z'ibigori n'uburyo bwo kuzigwanya** (biraza)

***Ndongozi y'Uburundi***

# Indwara yo mu kigo ku bigeme n'abakenyezi, ni indwara ivurwa igakira

Ku wa 2 Nyakanga 2022 muri City Hill Hotel, harabereye uruganda rwo kurabira hamwe uruhara rw'abamenyeshamakuru mu kurwanya indwara yo mukigo ku bakenyezi n'abigeme.

Indwara yo mu kigo, ni indwara ifata abigeme n'abakenyezi bibaruka bigoranye. Ifata abigeme batarashikana imyaka 18 kuko baba batarakomera mu kiyunguyungu, igafata n'abakenyezi barenza imyaka 35, bigatuma umwanda muto na mukuru, bica mu bwami bw'umukenyezi.

Kugutinya kumaramara, uwafashwe n'iyo ndwara, aca yikumira canke abiwe bakamunena, bigatuma yinyegeza mu kigo ari naho havuye iryo zina "Indwara yo mukigo". Uko kuntu iyo ndwara itesha agateka umurwayi, bimutuma aca yihebura, agashobora mbere nokurwara indwara zifati-ye kw'ihahamuka.



Foto: Chanel HARINGANJI

*Muganga Ananiya NDACAYISABA arongoye umugambi w'igihugu ujejwe amagara y'abantu, ari nawe yuguruye urwo ruganda*

***None iyo ndwara ifata gute?***

Iyo ndwara ifata kenshi abavyeyi bibarutse bigoranye na cane cane :

- Abibarukira muhira;
- Abavyeyi badapimisha imbanyi;
- Abavyeyi bateba ku rwahi;
- Abavyeyi bavyara intahekana

Ivyo vyose rero biratumwa n'uko umukenyezi ataba yashitse kwa muganga hakiri kare.

Ivyo navyo bikava ku bituma vyinshi, muri ivyo harimwo :

- Ukutamenya k'umuryango yubatsemwo;
- Ubukene;
- Amabarabara si nyabagendwa;
- Kwakirwa kwa muganga umwanya warengeranye;
- Ubunini bw'umutwe w'umwana urengana bigoranye;
- Abakenyezi bagufi bishikira rimwe rimwe;
- Kurongoza abigeme batarakwiza imyaka kubera amaronko;
- Inda z'urutavanako;

Iyo ndwara iratuma umubano mu rugo utosekara, gushika naho umukenyezi ashobora kwirukanwa.

Abafashwe n'iyo ndwara rero, boca bitura ibitaro vy'ikigo Urumuri mu gisagara ca Gitega kuko arivyo bifise ubushobozi bwo kuyivura. Ikimenyamenya n'uko mu mwaka w'2021, ibice 97 kw'ijana vy'abakenyezi bakorewe muri ico kigo, bose barakize neza.

Urwo ruganda rero rukaba rwatunganijwe mu ntumbero yo kumenyesha abamenyeshamakuru isekeza ryo kuvura abo barwayi bashikirwa n'iyo ndwara bari mu gihugu cose.

Ivyo bikorwa bikaba biriko bibera muri ico kigo Urumuri kiri i Gitega kuva ku magenekerezo ya 5 Nyakanga gushika ku wa 5 Gitugu 2022, n'abaganga b'abarundi babinonosoye hamwe n'umuganga w'umuhinga umwe yaje avuye mu gihugu ca Mali.

Ni n'akaryo keza ko kwigisha abo baganga b'abarundi kugira bashobore kuvura iyo ndwara neza.

N'ubwo iyo ndwara ivurwa kubuntu, mu biharuro bitangwa n'ico kigo, bivuga ko kugira umukenyezi umwe ashobore kuvurwa, bisaba amafranga y'abanyamerika agera ku majana atanu(500$).

Iyo ndwara ikarira abakenyezi ku bice 25 % vy'abakenyezi bafise imyaka iri munsi ya 25, nayo ibice 62% vy'abibarutse muri ubwo buryo, kenshi Barabura abana nk'uko vyemezwa n'ikigo Urumuri c'i Gitega.

Muganga Ananiya NDACAYISABA arongoye umugambi w'igihugu ujejwe amagara y'abantu, yasozereye urwo ruganda asaba abamenyeshamakuru kugira uruhara rudasanzwe mu guhimiriza abanyagihugu kwijukira kuja kwa muganga hakiri kare igihe cose bafise imbanyi mu ntumbero yo kurwanya bimwe biboneka iyo ndwara ifatira ku kukutamenya.

Tukabamenyesha ko ico kigo urumuri c'i Gitega cavutse mu 2010 kikaba kimaze kuvura abakenyezi bangana 3 029 bava mu ntara zigize igihugu cane cane Muyinga, Cibitoke, Kirundo na Ngozi tutibagiye n'abaza bavuye mu bihugu bibanyi vya Tanzaniya na Congo, iyo nyubakwa ikorerwamwo ivyo bikorwa vyo kuvura abo barwaye iyo ndwara, uburyo bwayubatse bukaba bwatanzwe n'umutambukanyi w'umukuru w'igihugu cacu.

Ivyo bikorwa bikaba vyari bifashwe mu mugongo n'ishirahamwe mpuzamakungu ryitaho ibijanye n'irondoka kw'isi (ONFPA).


Foto: Chanel HARINGANJI

Bamwe mu bamenyeshamakuru bari bitavye urwo ruganda

**Chanel HARINGANJI**

# Uburenganzira bw'abageze mu zabukuru

Abantu bose barangana imbere y'amategeko kandi bategerezwa kubahirizwa co kimwe. Umuntu wese arafise uburenganzira bwo gukingirwa yaba umwana canke uwukuze. Nico gituma abageze mu zabukuru nabo nyene bategerezwa kwitabwaho n'ugukingirwa.

Kw'igenekerezo rya 01 gitugutu uko umwaka utashe, amakungu arahimbaza umusi mukuru wahariwe abageze mu zabukuru.

Uwo musi washinzwe n'ishirahamwe mpuzamakungu ONU kw'igenekerezo rya 14 kigarama 1990. Igihugu cacu naco nyene ntigisigara inyuma mw'ihimbazwa ry'uwo munsi.

Uburenganzira bw'abageze mu zabukuru butegekanijwe n'amategeko mpuzamakungu n'amategeko y'Igihugu c'Uburundi.

**1. Ingene amategeko mpuzamakungu atunganya ubwo burenganzira**

Mu mategeko mpuzamakungu, tuja kwisunga ibiri:

* mw'itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu,

* mu masezerano agenga abagendana ubumuga,

* mu masezerano ya Afrika yerekeye agateka ka zina muntu n'ak'abenegihugu



* hamwe n'ibiri mu masezerano ashigikira amasezerano ya Afrika y'agateka ka zina muntu n'ak'abenegihugu yerekeye abageze mu zabukuru.

Ingingo ya 25 yo mw'itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu ivuga ko umuntu wese :

* ategerezwa kuronka ibikwiye bimufasha kubungabunga amagara yiwe n'ay'umuryango, mu ngaburo, mu vyambarwa, mu buraro, mu kwivuza n'ibindi nkenerwa ku muntu ;

* ategerezwa kubungabungwa mu gihe atagira akazi, arwaye, amugaye, apfakaye, no mu bindi bihe atagishobora gukora kubera ubusaza, n'ibindi bihe atagishobora kwitunga kandi bitamuturutseko.

Iyi ngingo irerekana ko abageze mu zabukuru nabo nyene bafise uburenganzira bwo kubaho neza ari yo mpamvu bategerezwa kubungabungwa kubera baba batagifise inguvu ngo bashobore gukora bibesheho.

Ingingo ya 28 y'amasezerano agenga abagendana ubumuga ivuga, mu gace kayo ka 2 b), ko ibihugu vyashize umukono kuri aya masezerano bifasha abakenyezi, abigeme n'abageze mu zabukuru kugira bashikire imigambi yo gutegekanirizwa kazoza n'ukugwanya ubukene.

Ingingo ya 18 yo mu masezerano ya Afrika y'agateka ka zina muntu n'ak'abenegihugu ivuga, mu gace kayo ka 4, ko abageze mu zabukuru n'abagendana ubumuga nabo nyene bafise uburenganzira bwo kwitabwaho no gukingirwa mu vyerekeye amagara yabo no mu buntu bwabo.

Ingingo ya 1 y'amasezerano ashigikira amasezerano ya Afrika y'agateka ka zina muntu n'ak'abenegihugu yerekeye abageze mu zabukuru ivuga ko abageze mu zabukuru ari abantu bafise n'imiburiburi imyaka mirongo itandatu (60) y'amavuka.

Ingingo ya 13 ivuga ko ibihugu vyashize umukono kuri aya masezerano vyiyemeje gufata ingingo zose zishoboka kugira abageze mu zabukuru kandi bagendana ubumuga bakingirwe, bashobore kuvugwa no kuronswa ibikoresho bibunganira bivanye n'ubumuga bw'umwumwe.

Ingingo ya 14 nayo ivuga ko mu gihe c'intambara canke c'umudurumbanyo mu gihugu, abageze mu zabukuru bategerezwa gukingirwa, gufatwa runtu, kubahirizwa aho bari hose, bakaguma bakurikiranwa neza kandi bakavugwa iyo bagwaye.

Nk'uko duhejeje kubibona, amategeko mpuzamakungu aborn
uburenganzira bw'abageze mu zabukuru. N'amategeko y'Igihugu c'Uburundi nayo nyene arategekanya gukingira abageze mu zabukuru.

**2. Ingene amategeko y'igihugu c'Uburundi atunganya ubwo burenganzira**

Muri mategeko y'igihugu, tuja kwisunga ibiri :

*mw'Ibwirizwa Shingiro,
* mw'Itegeko n°1/24 ryo ku wa 14 kigarama 2017 risubiramwo itunganywa ry'amabohero mu Burundi,
* itegeko n° 1/12 ryo ku wa 12 rusama 2020 ryerekeye gutegekaniriza kazoza abenegihugu n'ukubakingira hamwe n'ibiri mu gitabu c'amategeko mpanavyaha.

Ibikur. urup. 11

# Uburenganzira bw'abageze mu zabukuru

*(Bitangurira ku rup.10)*

Ingingo ya 19 y'Ibwirizwa Shingiro irinjiza mu mategeko n'amabwirizwa bigenga Uburundi amasezerano mpuzamakungu yerekeye agateka ka zina muntu bwashizeko umukono.

Ingingo ya 22 ivuga, mu gace kayo ka mbere, ko abenegihugu bose bangana imbere y'amategeko kandi akabakingira kumwe.

Mu ntumbero yo gukingira no kwitaho abageze mu zabukuru, Reta y'Uburundi yarashize umukono ku masezerano ashigikira amasezerano ya Afrika y'agateka ka zina muntu n'ak'abenegihugu yerekeye abageze mu zabukuru nk'uko itegeko n°1/13 ryo kuwa 20 ndamukiza 2022 rivyerekana.

Ingingo ya 5 yo mw'itegeko n° 1/12 ryo ku wa 12 rusama 2020 ryerekeye gutegekaniriza kazoza abenegihugu n'ukubakingira ivuga ko umuntu wese ategerezwa kuronka ibikwiye bimufasha kubungabunga amagara yiwe n'ay'umuryango wiwe, mu ngaburo, mu vyambarwa no mu buraro bubereye.

Iyi ngingo ibandanya ivuga ko umuntu wese afise uburenganzira bwo kuvuzwa igihe agwaye, igihe yahuye n'impanuka ikamuviramwo ubumuga, igihe ari umupfakazi, ageze mu zabukuru canke igihe cose atagifise ubushobozi bwo kwibeshaho kandi vyatewe n'impamvu itamuvuyeko.

Ingingo ya 72 y'iryo tegeko duhejeje kuvuga, ivuga ko mu gihe umukozi yashikanye imyaka yo gukukuruka nk'uko amategeko amugenga abitegekanya kandi akaba yaramaze gutanga intererano mu kiringo c'imyaka 15 mw'ishirahamwe rijejwe gutegekaniriza kazoza abakozi, araronka amafaranga aja aramufasha igihe yakukurutse.

Ingingo ya 45 yo mw'Itegeko n°1/24 ryo ku wa 14 kigarama 2017 risubiramwo itunganywa ry'amabohero mu Burundi ivuga ko hariho imirwi y'abantu ihuha iyo bapfunzwe bategerezwa gukingirwa gusumvya abandi.

Abo nabo ni : abakenyezi, imiyabaga, abageze mu zabukuru n'abagendana ubumuga bwo mu mutwe.

Ingingo ya 52 ivuga ko abapfunzwe bageze mu zabukuru bafise imyaka 70 bakwije ibisabwa n'amategeko mpanavyaha, barekurwa ivy'agateganyo naho uwahanywe aba atararangiza umunyororo yaciriwe.

Mu ntumbero yo kwitaho abenegihugu bose muri rusangi n'abageze mu zabukuru badasigaye inyuma, Reta y'Uburundi yarashize mu migambi yayo uwo gukingira abageze mu zabukuru kuva mu mwaka w'2011 ari nayo mpamvu hashinzwe umurwi w'igihugu ujejwe gukingira abenegihugu.

Tubamenyeshe ko uwo murwi w'Igihugu washizweho n'Itegeko n°100/237 ryo ku wa 22 myandagaro 2012 rishiraho, rikanategekanya ibikorwa vyawo.

Naho abageze mu zabukuru bari mu mirwi ihuha ikenewe gukingirwa gusumvya abandi, iyo bakoze ivyaha ntibisigurako badahanwa ariko bahanwa hisunzwe imyaka yabo.

Ingingo y'129 yo mu gitabu c'amategeko mpanavyaha ivuga ko abahanywe bakaba bategerezwa gukurikiza igihano canke ibihano harimwo ugupfungwa barashobora gufungurwa ivy'agateganyo batararangiza ivyo bihano mu gihe bamaze mu munyororo ikiringo kirenza amezi atatu.

Abaciriwe umunyororo wo gupfungwa ubuzima bwabo bwose barashobora kurekurwa ivy'agateganyo mu gihe bamaze gupfungwa ikiringo kirenza imyaka icumi.

Iyi ngingo ibandanya ivuga mu gace kayo ka 3 ko ikiringo co gupfungwa gitegekanijwe muri utwo duce tubiri duhejeje kuvuga gishobora kugabanywa mu gihe uwahanywe afise imyaka mirongo irindwi y'amavuka canke mu gihe vyemejwe n'abaganga batatu b'abahinga ko igumizwa ryiwe mu munyororo rishobora gutuma ubuzima bwiwe bubangamirwa.

Iyi ngingo irerekana neza ko naho umuntu aba yakoze icaha aguma yubahirizwa mu gateka kiwe.

Mu gusozera, twagira twibukanye ko abageze mu zabukuru bari mu mirwi ihuha ikenewe kwitabwaho n'ugukingirwa kandi n'igihugu cacu nticasigaye inyuma mu kwubahiriza, mu gukingira no mu kudakumira abageze mu zabukuru.

Aha twovuga ingingo yafashwe yo kuronswa, n'amashirihamwe ajejwe gutegekaniniza kazoza abakozi, amafaranga angana n'umushahara umukozi yahembwa imbere y'uko akukuruka ha-mwe no kuvuzwa.

Ariko naho bimeze gurtyo, abageze mu zabukuru ntiboca bijajara ngo bakore ibinyuranye n'amategeko kuko uwagiriwe n'icaha arahanwa hisunzwe igitabu c'amategeko mpanavyaha y'Uburundi.

***Ikigo ca leta kijejwe guteza imbere agateka ka zina muntu no gukinga ihonyabwoko «CPDHPG »***

# Ingene ubushingantahe bwogenderwa muri ibi hehe.

***Inyuma y'uko Leta y'Uburundi ifatiye ingingo yo gufuta urwego rw'abashingantahe ku mitumba yose igize igihugu c"Uburundi, rugasubirizwa n'urundi rwego rwitwa «Abahuza bo ku mutumba», Patiri Adriyano Ntabona, Umushingantahe yatiwe akaba n'umwigisha w'imico kama, aratuyagira uko abona ibintu:***

Abasokuru baraturaze urwego rw'Abashingantahe, kugirango haboneke abantu bishinga ukuri, n'umubano mwiza aho bari hose.

Munyuma, kuva ku ngoma iganje iyindi, gushika ku makuba Uburundi bwagiye buracamwo, urwego rw'abashingantahe rwarahungabanye.

Ni kwo kuja inama n'abashingantahe, batiwe nkuko twabirazwe. Turarondera abashingantahe batiwe mu buryo kama, bava mu ntara zose. Turabaronka.

Turumvikana ngo tunagure urwego. Duhera ku mitumba, biraduga mu makomine no mu ntara mu Burundi bwose. Turakora uko dushoboye.



*Umushingantahe Patiri Adriayano NTABONA Umwigisha w'imico kama yakukurutse mu makaminuza.*

Birashemera.

Inama nkuru y'Abashingantahe, bavuye mu Burundi bwose, irabonека. Irashinga amategeko ngenderwako, agenga zina Mushingantahe mu Burundi bwose muri ibi bihe tugezemwo, kugira ngo tugwize imigenzo myiza.

Ariko Leta ikama yipfuza kwirabira ivy'imanza. Irabishikako ku rugero rw'igihugu, rw'intara, rwo mu makomine. None mbere, yatoje abahuza, bazohora baca imanza zo ku mugina.

Twagira tuvuge icese ko ivyo tuzovyubahiriza. Leta ivyipfuje; ikabikora neza, ni ivyo gushima. Ariko ntibica bikura urwego rw'abashingantahe. Leta idusavye kureka guca imanza. Turavyemeye.

Ariko abatazi urwego rw'abashingantahe biyumvirako igikorwa cacu ko ari ico uguca imanza gusa. Ihi bambewe. Hari imigenzo myiza yindi twahora tugendera.Kandi igihugu kirayikeneye. Tukizigira mbere ko Leta izoyubahiriza.

Imwe yo mbere ni inyifato igoye gufuta. None-ho, yihweje neza, izobona ko ari ukuyifasha kugwiza imigenzo myiza mu gihugu. Ntange uturorero:

1. Ukwishinga ukuri

2. Ukwihata ngo ibintu vyame bitaha aho bibwirizwa gutaha.

3. Ukwishinga umubano mwiza aho umuntu ari hose

4. Ugufasha abandi kugwiza imigenzo myiza, uyibanje
5. Ukwitwararika imico kama

6. Ugufasha ingo kumera neza.

7. Ukubangukira indero y'urwaruka ku biraba ivyo vyose

8. Ukunganira amasezerano agirwa ngo aje mu nzira nziza

9. Ukwitwararika ibidukikije aho umuntu aba .

10. Uguhwamika igihe cose imitwe ishushe; canke amatati avyutse

12. Ukubanguka mu kuremesha iterambere.

Ivyo vyose n'ibindi ntiriwe ndavuga, umusi umwe tukemera icese ko tuzobirangura. Tukabirahira bene murango babona. Tukatirwa. Hagaca haboneka abantu bemera bashimitse gushigikira rwose imigenzo myiza mu gihugu. Ni ko cubakwa. Nticubakwa na Leta iri yonyene.

None lero, ko abasokuru badusigaranye iragi rimeze gutyo, turikomeze. Tuzoreka guca imanza, ko Leta yipfuje kuvyirabira. Kandi turasubiye kubivuga. Turabikengurutse. Tuzofasha muri ivyo bindi vyose. Tugirire akamaro igihugu gurtyo, ata mpembo dusavye.



***Umushingantahe Patiri Adriayano NTABONA***

***Umwigisha w'imico kama yakukurutse mu makaminuza.***